**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

*Mukakaro 2024* *kirundi*

# Tera intabwe udatinya!

**Yezu abwira Petero ati : ingo!** (*Matayo 14,29*)

Bakunzi ba go4peace,

Ndabigire? Canke ndeke? Mbega ni kangahe bidushikira natwe hakaza akanya usanga utazi ingene ibintu bibandanya bigenda. Ubuzima bwama budusaba gufata ingingo. Hari ikindi cama gisa n'ikidukwegera imbere. Dusa n'abatsiba, tukagerageza ibindi bintu bishasha vy'ubuzima. Ariko ntituba tuzi ko bikunda,. Ukwumva ko dushaka ibintu tuzi kandi tumenyereye, bidutuma tugira amakenga, bitugumiza inyuma kenshi.

Eka na Petero ntivyamworoheye gukira ukwijijanya imitima ngo atambuke. Yabwirizwa kwizigira Yezu? Yasa n'uwuri mu bwato buzungeta buja irya n'ino. Yamara yabwirizwa gukura, akivako agatera intambwe n'aho atari ashize amazinda. Yezu yaramwubahuye ati : „Ingo" (Matayo 14,29).

Umunyeshure w'umwigeme ari aho igihugu ciwe c'amavukiro, nticashobora kumuha kazoza gashimishije yumva ahahamiye. Niho yari yarigiriye inama ko amaze amashure y'intango azoca arondera kuja mu kindi gihugu. Ntivyamworoheye guheba umuryango wiwe, akazosigara awubona gake gusa. Ariko ntivyamubujije kwivako agatera iyo ntambwe, yizigiye ijambo Yezu yavuze, ati sinzobareka mwenyene. Birumvikana hakurikiye imyaka itamworoheye na mba. Kenshi yarumva ko ari mu bunyakamwe. Ariko yagumya ingoga zo kuguma mu nzira yarimwo. Ubu yamaze gusozera neza amashure yiwe, akaba yaranaronse n'akazi keza, ariruhutsa akavuga ati: „ndahimbawe, kuko nateye irya ntambwe, igihe naheza amashure y'intango".

Ariko rero ntiwumve uko, intambwe yose utera ntisigura ko vyose bica bigenda neza. Ariko n'ukurabira ku vyashikiye Petero, tugaheza tukizigira. Ighihe yari atanguye kunyika, yarumvise ukuboko kuza kuramurokora. **Tera intamwe udatinya.**

Kubwa go4opece Meinolf Wacker